République du Burundi

Conseil National pour la Défense de la Démocratie

www.cndd-burundi.com

Tél. : +33605939339

Republika y'Uburundi

Inama y'Igihugu Igwanira Demokarasi

Email : cnddkomera@gmail.com

Tél. : 257 79 354 707

DÉCLARATION DU PARTI CNDD SUR LE CHANGEMENT DU POUVOIR À LA TÊTE DE L'ÉTAT DU BURUNDI

1. Le parti CNDD suit avec attention les changements de façade en cours à la tête du pouvoir monolithique intervenus depuis le 18 juin 2020. Ces changements consacrent le maintient au pouvoir d'un parti unique qui contrôle seul sans partage tous les rouages de l'État depuis l'année 2005.

2. Comme le peuple burundais a pu le constater ces derniers mois , ces changements n'ont pas respecté les procédures démocratiques, raison pour laquelle toutes les institutions qui en sont issues de la base au sommet sont sous le contrôle total d'un seul parti sans autre forme de contre-pouvoir.

3. Pour toutes ces raisons, le parti CNDD n'attend rien de ces pseudo-changements dans le mode de gestion de l'État. De surcroît, le nouveau président lors de la prestation de serment s'est ouvertement inscrit dans la logique de gestion obscurantiste et calamiteuse du pouvoir de son prédécesseur. Il a même déclaré qu'il s'inspirera largement de ses méthodes et de son programme.

4. Le CNDD a toutefois repéré dans le discours du nouveau président quelques projets porteurs d'un peu d'espoir et qui semblent s'inspirer du programme du parti CNDD. il s'agit notamment de l'attention qu'il a porté à l'amélioration des conditions de vie des retraités, de la valorisation du Kirundi, notre langue nationale et celle de la culture burundaise, de même que le soutien à la recherche scientifique.

5. Mais, pour le CNDD, la santé de la population, menacée aujourd'hui par la pandémie du COVID-19 devrait être la priorité des priorités pour le moment. Paradoxalement, aucune mesure d'urgence n'a été annoncée par le nouveau président Evariste Ndayishimiye, contrairement à ce que font les autres pays. Nos compatriotes continueront de mourir de cette pandémie dans l'insouciance et la négligence totale des dirigeants. Le pays court le risque même d'être mis en quarantaine par les autres pays, ce qui portera préjudice à tous les citoyens burundais et au pays.

6. Le parti CNDD a été consterné d'apprendre de la bouche du nouveau président qu'il ne va en aucun cas tolérer l'opposition sous son mandat. Pareils

propos montrent clairement qu'il s'inscrit dans la logique du pouvoir précédent d'imposer un parti unique que le peuple burundais a longtemps décrié et combattu avec détermination et succès.

7. Notre parti est habitué aux promesses non tenues du CNDD-FDD. Son prédécesseur ne cessait de promettre la corruption zéro ou l'éradication de la corruption tout en faisant de cette dernière son mode de gestion de gouvernement. Si les biens mal acquis et avoirs détournés sous le régime CNDD-FDD rentraient dans le trésor public, nul doute que les promesses annoncées seraient réalisées. Il suffirait que le nouveau président écoute attentivement les récentes révélations de Madame Denise Nkurunziza dénonçant les voleurs et criminels. Il devrait s'approcher de cette dernière pour débusquer où les prédateurs des biens et fonds publics ont caché leurs gros butins.

8. Pour que même les quelques bonnes mesures annoncées par le nouveau président soient réalisées, il doit d'abord rompre avec le double langage et s'inscrire résolument dans une logique de rupture avec le passé sombre qui a caractérisé le régime depuis 2005. Pour cela, il doit prendre des mesures courageuses d'apaisement notamment :
- prendre des mesures urgentes et draconiennes adaptées aux réalités burundaises pour protéger la population contre la pandémie de COVID-19

- rétablir le calme et la sécurité dans le pays dont les indicateurs seront entre autres : la libération des prisonniers politiques, le retour de la sécurité sur toute l'étendue du territoire, le désarment des milices armées Imbonerakure de la jeunesse du parti au pouvoir, l'arrêt de la persécution des opposants politiques, redonner la parole au peuple burundais , la réhabilitation des médias et les radios détruites en 2015, la mise sur pieds d'une commission d'audit de l'État et d'enquête sur les biens mal acquis et les fonds publics détournés par les mandataires du pouvoir précédent, la réhabilitation de la constitution de 2005, la reprise du dialogue entre le pouvoir et l'opposition pour créer un climat de détente et de confiance mutuelle au sein de la classe politique et de la population.

10. Le parti CNDD va continuer à apporter sa contribution par son rôle classique d'opposition critique et responsable du régime dans l'intérêt bien compris du peuple burundais. Le nouveau Chef de l'État à une large marge de manœuvre légale et constitutionnelle pour amorcer des changements courageux de redressement rapide du pays tombé dans l'abîme depuis 2005. Armé d'une bonne volonté politique il pourrait le faire. De ce fait, la majorité du peuple burundais le soutiendra quels que soient leurs bords politiques, religieux ou régionaux.

Tugire amahoro, iteka n'iterambere
Fait à Bujumbura le 24 Juin 2020
Pour le Comité Exécutif du CNDD
Léonard Nyangoma, président



République du Burundi

Conseil National pour la Défense de la Démocratie

www.cndd-burundi.com

Tél. : +33605939339

Republika y'Uburundi

Inama y'Igihugu Igwanira Demokarasi

Email : cnddkomera@gmail.com

Tél. : 257 79 354 707

ITANGAZO RY'UMUGAMBWE CNDD KW'IBISIKANYA RY'UBUTEGETSI RYARAYE RIBAYE MU BURUNDI

Umugambwe CNDD umenyesheje ibi bikurikira kw'ibisikanya ry'ubutegetsi ryaraye ribaye mu Burundi :

1. Umugambwe CNDD umaze imisi ukurikirana ihinduka ry'ubutegetsi ryari ryiharijwe n'umugambwe umwe rudende uri ku butegetsi. Iryo hinduka ryagumije ku butegetsi umugambwe usanzwe wihagiye ubutegetsi kuva mu mwaka wa 2005

2. Iryo hinduka nk'uko Abarundi benshi babibonye ntiryabaye mu nzira ya demokarasi, arico gituma inzego zose zizoba zigizwe n'umugambwe umwe atacamira.

3. Kubw'izo mvo, umugambwe CNDD nta cizere kinini witeze kuri iryo hinduka na rirya umukuru w'igihugu mushasha, we nyene mw'ijambo yashikirije ahejeje kurahira yivugiye yuko azobandaniriza ku migambi yahahora.

4. Ariko naho bimeze uko muri iryo jambo umukuru w'igihugu mushasha yarashikirije imigambi imwe imwe yadushimishije kandi asa n'iyo yabuye mu migambi y'umugambwe CNDD. Muri iyo twovuga nko kwitaho abakukuruke mu kongereza agashara kabo, nko kugarukira ururimi rwacu rw'ikirundi, akaranga n'imico kama, gufata mu mugongo ubushakashatsi……

5. Umugambwe uramaze kumenyera yuko imvugo ya CNDD FDD ari gake ijana n'ingiro, tuzovyemera tubibonye, Nkurunziza ntiyasiba kuvuga ko agiye guhasha ubusuma mu gusohora amasiha mu kigega ca Reta ,ariko ntawutabona yuko intwaro yiwe yagize ubusuma ubuhizi. Amatungo amaze kunyuruzwa kuva CNDD FDD ishitse ku butegetsi agarukanywe mu kigega ca Reta , ya migambi umukuru w'igihugu yatangaje nta nkeka yoca ija mu ngiro. Twumvirije amajambo Deniza Nkurunziza amaze imisi ashikiriza ,Umukuru w'igihugu yohanuza uyo mukenyezi akamwereka iyo abasuma banyonyeje ikigega ca Reta banyegeje ayo matungo

6. Umugambwe CNDD waraguye mu gahundwe mu kumva umukuru w'igihugu mushasha yubahuka kuvuga yuko adashaka kuzosubira kumva abasubira kuvuga yuko hariho abatavuga rumwe na Reta, imvugo nk'iyo ni imburi yerekana ko ataho kagiye agatima ko kugarukana no gukomeza umugambi wahahora ushingiye ku ntwaro y'umugambwe umwe rudende.

7. Vyongeye muri ibi bihe nta kintu na kimwe coza imbere y'amagara y'Abarundi ageramiwe n'ikiza ca Korona, nta ngingo ruhasha twumvise umukuru w'igihugu mushasha yashikirije zo gukingira abanyagihugu no guhasha ico kiza nk'uko mu bindi bihugu bariko barabikora. Uyo mugera wa Korona uzoguma wisasira abantu benshi bivuye ku rwangara rw'abategetsi. Vyongeye n'ibihugu vyinshi rero bikazohava biharira ivomo Uburundi.

8. Kugira imigambi myiza yose umukuru w'igihugu mushasha yaraye atangaje ije mu ngiro, tumusavye yuko yohagarika ingendo yo kurimira ku rwiri maze akemera kugorora ivyagoramye mu gihugu kuva umwaka wa 2005, navyo nivyinshi :

Icambere ni gufata ingingo ruhasha zo gukingira amagara y'abanyagihugu ikiza KORONA
Ica kabiri ni kugarukana ituze mu gihugu, ukwizerana hagati mu banyagihugu. Ivyo navyo bizova ku ngingo atavuze zo kugarukana umutekano mu gihugu cose. Ibimenyetso bizobitwereka ni ibi :
-kurekura abapfungiwe bose ivya poritiki
-Kugarukana umutekano mu gihugu cose
-kwaka ibigwanisho umuhari w'Imbonerakure wegamiye umugambwe uri ku butegetsi
-guhagarika itoteza n'inyuruzwa ry'abatavuga rumwe na Reta
-gusubiza ijambo abarundi nko mu kurekura ibinyamakuru n'amaradiyo yasambuwe muri 2015 bigasubira gukora
-gushiraho urwego rujejwe itohoza no kurondera amatungo yose y'igihugu yanyurujwe na bamwe bamwe mu bahora ku butegetsi, maze ayo matungo akagarukanwa mu kigega ca Reta
-Kugarukana ibwirizwa shingiro ryo muri 2005
-Gutunganya no kugira ibiganiro hagati ya Reta n'imigambwe bitavuga rumwe

9. Ituze rigarutse mu gihugu nta nkeka yuko Abarundi bagorewe mu mahanga, mu makambi y'impunzi bazoca batahuka atan'uwubanje kuja ku barondera, kuko akazuye ntibamurika ; imigambwe izoca isubira gukora, iyitavuga rumwe na Reta ibandanye ikebura Reta.

10. Umugambwe CNDD uzobandanya guterera agacumu k'ubumwe mu gukebura Reta ku neza y'Abarundi bose. Umukuru w'igihugu mushasha arafise inguvu nyishi ahabwa n'amategeko, abishatse ashobora guhindura vyinshi kugira ituze rigaruke mu gihugu. Abarundi benshi bazomufata mu mugongo kuri ico gikorwa tutaravye imigambwe , amadini barimwo canke intara baturukamwo.

Tugire amahoro iteka n'iterambere
Bigiriwe i Bujumbura ku wa 24-06-2020
Ku bwa komite nkuru ya CNDD, Leonardo Nyangoma Prezida